**Please print the letter below and photocopy onto school letterhead before distribution**

Ikete rirungikiwe abavyeyi ku bijanye n’ibikorwa biherutse gutegekanywa mu mibano
Letter to parents regarding recent community events

Ku muvyeyi/uwufasha

Ishure ryanyu uno musi ryafashe ingingo zikurikira, bitumwe n’ibikorwa biherutse gutunganywa vyerekeye imibano.

Abanyeshure barahumurijwe ko ishule rizobandanya kurangwa n’umutekano wa bose. Abanyeshule baribukijwe imigambi yo kugira abanyeshule babeho neza kandi bakingirwe ivangura ry’amoko, kugira bafatwe mu mugongo mu gihe bahohotewe.

Abanyeshule bararonkejwe akaryo ko gushikiriza uko bumva bamerewe barongera baributswa ko bokwitura umuhanuzi w’ishule canke abandi bakozi b’ishule iyo bafise ikibahagaritse umutima canke babababaye. Umunyeshule azobandanya aronswa imfashanyo bikenewe.

Birakenewe ko mwoganira n’abana banyu ku bijanye n’ibi bikorwa, mugireko mubahimirize kubandanya bihanganira kandi bitwararika abandi bantu, haba kw’ishule canke aho baba muri rusangi.

Kubandanya imirimo ya misi yosi no gukora ivyo umuntu akunda, birafasha abana bari mu ngorane.

Mukaba mufise impungenge zijanye n’umwana wanyu musabwe guhamagara ishule; imfashanyo izoboneka mu gihe gishoboka.

imwaba mukeneye umusiguzi kugira abafashe guhamagara ishule, musabwe guhamagara Igisata co Gusigura kuri Telefone ku nomero 131 450 musabe umusiguzi mu rurimi rwanyu. Uwubitavye azobaronderera ku murongo umusiguzi abafasha muriko muraganira. Ntibazobarihisha.

Tubaye turabashimira

Umuyobozi (Principal)